**Bible lessons.** **Lesson 29** **JACOB RETURNS TO HIS NATIVE COUNTRY**
**Genesis 31:1-6; 14-21; 30-37**
**Memory verse: "Don't be overcome by evil, but overcome evil with good" Rom. 12:21**

**YAKOBO ASUBIRA MU GIHUGU C'AMAVUKO.**

Icirwa ca 43

**Itang. 31:1-6 ; 14-21 ; 30-37**

Ijambo ngenderwako : « ***Ikibi ntikikuneshe, ikibi ukinesheshe iciza.*** **Roma. 12:21** »

Imirongo itangura icirwa yerekana ingene abahungu ba Labani batanguye kwivugana bati : « Ehhhh ibi vyose Yakobo afise ni ivya Data, erega Yakobo yamuhenze ubwenge. Ishari ryaravyutse cane kubera ubusho (ubutunzi) bwinshi bwa Yakobo. Kandi na se wabo birerekana ko yari afise ako gatima kabi kuri Yakobo kubera ivyo yaronse kandi ata na kimwe yamwivye. Ntiyipfuza ko yomubona yikukiye. Nigake abantu banezerezwa n'uwuteye imbere.

Kubw'urukundo rw'Imana ivugana nawe mu nzozi ; imuhishurira ivyiyumviro vyabo ; imusaba kuvayo n'abagore biwe n'ivyiwe vyose asubire mu gihugu c'amavuko.

Yakobo avyiganiye abagore biwe ; bamwishuye ko ata mu gabane bafise kwa se. Baba biyumvira inkwano babatanzeko kandi bakikundira umugabo wabo.

Muri uru rugendo, Rakeli yiba imana za se. Ntawutahura ico yaragiye kuzimaza mugihe Yakoba yama abigisha Imana yo mw'ijuru.

Uyu wari umutego k'urugo rwa Yakobo mu gihe umugore asenga imana yiwe umugabo nawe agasenga Imana yiwe. Ukudasengera hamwe mu muryango birasubiza inyuma urugo mu kwizera no mwiterambere. Ariko umwe wese azikorera umutwaro wiwe imbere y'urubanza.

**II. Ikinyoma kibandanya mu muryango wa Yakobo.**

Yakobo aravuga ngo nusake uwo uri busangane izo mana zawe, **aheze apfe**. Labani yinjiye mw'ihema rya Leya ntiyazisangayo ; yinjira murya Rakeli ; aramurahirira ngo ari mu bihe vy'abakenyezi ntiyohaguruka. Ivyo akabivuga yicishije bugufi. Erega ico kinyoma caramukijije ako kanya nkuko na se

vyagenze, ariko kubera iryo jambo Yakobo yatuye ; Rakeli ntiyabuze gupfira mu nzira bataranashika. Soma **Itang. 35:16-20**

Mutama Labani arabura. Iyunvire asubiye muhira akongera akazibura, ntiyabuze kwiyumvira ko umukwe wiwe naho yabanye nawe neza, yari umusuma.

**III. Gushira mu ngiro : Yakobo yize iki mu myaka 20 y'ubuhungiro.**

Iyi myaka 20 y'ubuhungiro kuri Yakobo ; yayisanzemwo ingorane nyishi « agahinda, ubuhemu, ibinyoma vyikurikiranya ; ukutizerana » kandi iyi mbuto yikinyoma yatewe n'ikinyoma yakoranye na nyina bahenda se.

Ico natwe twigamwo nuko wiba uhetse ukaba wigisha uwuri mu mugongo. Ubuzima ubayemwo nibwo abo uvyara bazobamwo ; kandi ubaye utunzwe nikinyoma ; nawe bazohora bakubesha imyaka yawe yose, nabo uvyaye bazoba abanyabinyoma bakomeye mwisi.

Kandi uzobabara ubibonye. Igisha abawe guhora basenga, bazoba abubaha Imana. Nawe bizokunezera mu kubaho kwawe. Niba utaracika kukinyoma ; urashobora gusa Yesu imbabazi ubu nyene araguharira kandi aguhidure. Ahezagire n'umuryango wawe wari waranduje akabi.